136 S. Ludlow St. Dayton OH 45402
TEREFONE# (937) 542-3164 ● FAX # (937) 542-3188
ejlolli@daytonpublic.com

7 Gitugutu 2021

Imvo: Urwete rwa Leta a Ohio Rwerekana Amanota

Miryango Dukunda Irerera muri Dayton Public Schools (Amashure ya Leta Yo muri Dayton) hamwe namwe Banywanyi b'Ihuriro rya Dayton:

Nk'ingaruka iturutse ku kiza hamwe n'inyigisho zaciriwe hagati, vyitezwe ko uturere, ahatandukanye muri Leta, tuzoronka amanota make hamwe no gusubira inyuma muri rusangi mu Rwete rwa Leta ya Ohio Rwerekana Amanota tugereranije na 2019. Twiteze ko AKarere k'Amashure ya Leta muri Dayton kazoba karabwa n'ivyo bihe kandi kakazogira ibihengeri mu nyigisho hamwe n'amanota make muri rusangi, nk'ukwo n'utundi turere ahatandukanye muri Leta biriko biradushikira.

Mu gihe twemanga ko harimwo ugusubira inyuma ugereranije n'intambwe iteye igomwe yagaragaye mu rwete rw'Amanota rwa 2019, ibi ntitubibona nk'igiturumbuka. Kwiga hakoreshejwe ingurukanabumenye vyasubije inyuma cane ubushobozi bw'abanyeshure mu bijanye n'ivyigwa. Nk'icavuyemwo, akararere karamaze gutera intambwe rugabo mu gutorera umuti ikibazo c'igihengeri mu vyigwa cibonekeza ubu. Akarere kariko karakora mu kwongereza ivyo abanyeshure bashikako hamwe n'ubwitabire bwabo biciye mu nzira zisunze ibihe biri imbere.

Inguvu zigaragazwa munsi, zatanguye gukoreshwa mu ci hama zibanda mu kwigisha abayobozi, ibijanye n'ivyigwa, gutegura kwinjira muri kaminuza/gutegura umwuga, hamwe n'ubuzima bw'iza bwo mu mutwe ku banyeshure.

Gutegura Ibijanye n'Ivyigwa, Kwinjira muri Kaminuza/Gutegura Umwuga:

- Amahuriro yo mu Ci ya DPS yabaye mu kwezi kwa Mukakaro kandi yahaye abanyeshure ubumenyi bufadika, bwuzuye ku bijanye n'ivyobafasha gusubira ku murongo mwiza. Abanyeshure bararonse ivyo bakora buri munsi bibungura ubumenyi hamwe n'ivyo babayemwo vyabafashije kwiga ukwo ubuzima bumeze mu vy'ukuri. Abanyeshure bo mu mashure yisumbuye bahisemwo ivyo bashaka hama mu gihe bamaze mw'ihuriro bagenda biga ibijanye n'Ubuhinga&Uburinganire, STEM & Project-

Based Learning (Ukwiga bishingiye ku buhinga butandukanye n'ibaharuro&Gukora imigambi, canke Enterpreneur (Uwiyemeje Igikorwa).

- Uburyo bwo kwiga incuro zibiri bwari bwashizwe mu myaka ya 1-3, hama inzobere mu biharuro zigeze mu myaka ya 4-6 ubu. Izi mpinduka zifasha mu kugabanya ibitigiri mu masomero, bigafasha abigisha mu gutorera umuti igihengeri mu bumenyi mu buryo bwihuta kandi bigatuma gufasha umunyeshure ku giti ciwe bishoboka. Abigisha mu masomero ivyigwa mu buryo bwikuvye kabiri barahura buri ndwi zibiri bavugana ku nyigisho ziba ziriko ziraba ico gihe.
- Icigwa gishasha co gusoma mu myaka ya 7-12 carashizwe mu ngiro uyu mwaka. Ivyo vyigwa vyateguwe ku buryo bifasha abanyeshure mu kwongereza ubushobozi bwabo bwo gusoma hama bagatera imbere mu bijanye n'urugero rwabo mu gusoma.
- Ivyigwa vy'ibiharuro bishasha buri munsi mu myaka ya 1-3 vyashizwe mu bikorwa kugira bifashe abanyeshure gukarisha ubumenyi mu biharuro ku banyeshure hamwe no kubafasha kuba abashishozi bagendera kubiharuro. Dogitreri Nicki Newton, azwi cane nk'umujanama akorana n'uturere dutandukanye mu gihugu, yigisha kandi abigisha ibijanye no kwongereza ubunyamwuga.
- Umunyamwuga afasha ubu akora hagati y'amasomero y'abanyeshure bitegurira gutangura amashure y'intago abiri kuri buri nyubakwa kugira abunganire mu vyigwa.
- Ihuriro ry'iminsi ibiri ryo gutegura ku bijanye na TorchPrep ACT (ubuhinga muri TorchPrep) rizoba mu mpera za kuno kwezi ku banyeshure bo mu mashure yisumbuye bitegurira ACT. Iryo huriro rirafise ubushobozi kandi hari n'urutonde rw'abanyeshure babishaka barindiriye. Amahirwe yandi azohabwa abanyeshure mu vyo bakeneye kwitegurira.
- Igitigiri c'inzira ziganisha ku mwuga cariyongereye muri Meadowdale Career Technology Center. Hamwe na CTCs zibiri zikora neza, inzira ziganisha ku mwuga ku banyeshure zari hafi yo kwikuba kabiri. Integuro zo muri Career Tech zifasha abanyeshure kuronka ubumenyi ku bijanye n'ukwo ubuzima bumeze mu mwuga mu gihe baba bakiri mu mashure yisumbuye. Abanyeshure baheza kwiga biteguye gutangura imyuga canke kubandanya ivyigwa muri kaminuza.

Ugufasha Abanyeshure ku Bijanye n'Ubuzima bwo mu Mutwe:

- Student Resiliency Coordinators (SRCs) (Abahuzabikorwa mu Kwubaka Ukutadohoka ku Banyeshure) bo mu Bitaro vy'Abana vya Dayton barahari kuri buri nyubako. SRCs bafasha abanyeshure bakeneye kwumvirizwa no kugirirwa inama kuronka ubufasha bwiza, hama bakanabakwirikirana bakaraba ko umunyeshure yamerewe neza.
- Abaganga bo ku Bitaro vy'Abana vya Dayton bafasha mu myitwarire y'abanyeshure ni bashasha uno mwaka hama bagendagenda hagati y'inyubakwa kugira bafashe mu kwumviriza no guhanura abanyeshure mu gihe kigufi. Abo baganga bafasha mu bibazo bishobora gutorerwa umuti mu ndwi 8-10.

Ukwigisha no Guteza Imbere Umwigisha:

- Mu kwezi kwa Nyakanga, inyubakwa zose zari zifunze kugira haboneke umunsi wiyongereye wo guteza imbere ubunyamwuga. Izo nyigisho ku bigisha zatsimbataje ubuhinga bwo gutegeka ibintu, vyanagaragaje akamaro muri DPS. Ni nabwo buhinga

bushingiye ku bushakashatsi bwafashije akarere mu kuduza urugero rw' amanita muri 2019.

- ABahamagawe muri Building Leadership Team (BLT)(Umugwi wo Guteza Imbere Ubuyobozi Bwiza) bariko bakora amanama yiyongerako hanze ya BLT ihasanzwe kugira baganire ukugene amashure yo korera ku ntumbero zijanye n'ivyigwa zashizweho n'inyubakwa hamwe n'akarere.
- Inama za District Leadership Team (DLT) (Umugwi Ujejwe Ubuyobozi Bwiza mu Karere) ziba rimwe mu kwezi kandi zigahuza abaserukizi kuri buri BLT kugira basesengure ibijanye n'ubwitabire, inyifato, hamwe n'ibijanye n'ivyigwa ahatandukanye mu karere. Umugwi rero uraheza ugaca irya n'ino uburyo akarere kofasha inyubakwa mu rugendo rwo gushika ku ntumbero ziba zarashiriweho ivyo bice. Uyu mwaka, umugwi wasubiyemwo uburyo basuzuma amakuru hama bakanasuzuma imice itatu yose y'amakuru muri buri nama ha kwibanda ku muce umwe gusa muri buri nama.
- The Primary Mathematics Cohort (Umugwi Wiga Ibijanye n'Ibiharuro vyo mu Mashure Mato Mato) (1-3) ushira hamwe bavuye mu mihingo yose y'akarere kugira bakorere hamwe bategure ivyigwa vy'ibiharuro bifasha mu kwubaka ubumenyi bubanza bw'ibihahuro hamwe no kumenya gutorera inyishu ibibazo biciye mu kwiga.
- Umugwi Ujejwe Ubumenyi mu Biharuro ku bigisha bo mu mashure yisumbuye bakorana na Dogiteri Kirk Kirkwood, umujanama azwi cane akorana n'uturere ahatandukanye mu gihugu. Umugwi ushira hamwe abigisha bavuye ahatandukanye mu karere kugira bakureho imbakizi hama bagakora ku buryo ibiharuro vyigishwa mu buryo bwiza.
- Umugwi Ujejwe Kuringaniza (Balanced Literacy Cohort) ushira hamwe abigisha bavuye ahatandukanye mu karere kugira barabire hamwe ibijanye no gusoma no kwandika n'uburyo bwiza bwo kwigisha ivyo vyigwa. Haniyongerako Reading Endorsement Cohort (Umugwi Ujejwe Ibijanye no Gusoma) biciye muri Kaminuza ya Miami wigisha abigisha bo mu mashure yisumbuye ubumenyi bwo gushira mu bikorwa amategeko ajanye no gusoma ku bushake.
- Abayobozi bakuru bose hamwe n'ababafasha bahuriye hamwe muri rino ci bigira hamwe ibijanye n'uburinganire hamwe no gufasha abanyeshure kugera kw'ihangiro muri uyu mwaka.
- Imigwi itandukanye yo kw'ishure nayo yarahuye muri rino ci yigira hamwe ibijanye no gukomeza imigwi, intumbero hamwe n'ihangiro kuri buri shure, ugufasha abanyeshure mu bijanye n'umubano n'inyiyumvo, ubuhinga ku banyeshure babo hamwe n'ibindi.
- World of Wonder yarafunguwe nk'ikigo co kwigishirizamwo abayobozi mu ntumbero y'uguteza imbere ubunyamwuga. Ubu yitwa DPS Residence Park Staff Development Center (Ikigo co Gutsimbataza Abayobozi ca DPS Residence Park Staff), iyo nyubakwa ni ahabera itsimbatazwa ry'ubunyamwuga ku bayobozi.

Hamwe n'izo mpinduka zihambbaye zamaze kuba, dufise icizere ko tuzoshobora gukuraho igihengeri cabaye mu vyigwa kubera ugucira hagati umwaka w'ivyigwa. Hiyongereyeko ko dufise icizere ko amanita yacu muri 2022 azoba meza bijanye n'intambwe turatera mu masomero.

Elizabeth J. Lolli, Ph.D.
Umukuru w'Amashure

(Kirundi)

Murakoze kwama mudushigikira. Tuzobandanya dukora ivyo dushoboye vyose kugira kugira dukureho igihombo cabaye mu vyigwa mu mezi 18 aheze hama tunakore kugira dufashe abanyeshure gushika ku ntsinzi mu vyigwa no mu buzima bw'inyuma y'ivyigwa.

Turabakengurukiye tubikuye ku mutima,

Elizabeth J. Lolli

Elizabeth J. Lolli, Ph.D.
Umukuru w'Amashure